# Ukwinjira kwawe mu bwislamu, gutuma ivyiza wakoze imbere y'aho ubihemberwa

Mu vyakiriwe na Hakiim mwene Hizaam (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Narigeze kuvuga nti: "Ewe Ntumwa y'Imana! Ubona gute ku vyerekeye ibikorwa vyiza nahora nkora nkiri mu kwemera ibintazi (ubujuju bwo kutamenya ubwislamu); nk'imperezwa, guha ubwigenge umugurano, hamwe rero no kwunga ubuvandimwe, noba nzobihemberwa n'Imana Allah?", Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aca anyishura ambwira ati: "Ukwinjira kwawe mu bwislamu, gutuma ivyiza wakoze imbere y'aho ubihemberwa"".

[صحيح] [متفق عليه]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aratomora mu kwerekana ko iyo umugararizamana yinjiye mu bwislamu, aheza agahemberwa ivyiza yahora akora akiri mu kwemera ibintazi (ubujuju bwo kutamenya ubwislamu); nk'ibikorwa vyiza bijanye no gutanga imperezwa, guha ubwigenge umugurano canke kwunga ubuvandimwe.

http://sunnah.global/hadeeth/rn/show/65016